Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi


B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°842 1Mukakaro 2025

## Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera (Ibikurikira)

***«Amategeko yanje n'ingingo zanje, ni vyo bibeshaho umuntu abirangura. Ni jewe Umukama» (**Bene Levi 18, 5).

**1. Uburyo Imana itanga amategeko canke amabwirizwa yayo.**

Imana ni yo nyene ubwayo yashikiririje itegeko, irishikiriza umuntu umwe (nka Adamu, Nowa, Abrahamu n'abandi (Amamuko 1,28; 2,16-17). Kandi kenshi



iyo itegeko ridakurikijwe ryajana n'igihano (Amamuko 3,17.22-23).

Amategeko Imana iha abantu benshi canke umuryango yitoreye (Amamuko 26,5). Aha tubona ko Imana iha abantu amategeko ikoresheje amajambo kuko ni yo shingiro ry'icigwa turiko turashikiriza.

Hari rero amajambo ane akunda kuza ari hamwe mu bitabu bitanu vya

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero (Ibikurikira)

*Ibohero mu Bwuzure bwa kera ritegerwa gute? Muri Bibiliya dusanga uturongo 40 twose tuvuga ibohero, ugutabwa mw'ibohero, ugufungwa. Yamara, igihano co gutabwa mw'ibohero ntacari gitegekanijwe mu mategeko ya Musa ; kizotangura inyuma y'uguhunguka aho Israeli izova i Babiloni. Ico gihe dusanga ibohero cari igihano kiraba ivyaha birabana n'ukurenga amategeko y'Imana canke ubugararaji ku mwami (Esidarasi 7, 26).*

### *Ijambo ry'Imana rivuga iki kw'ibohero ?*

**Izaburi y'107, 10-16** ivuga amakuba y'abari mw'ibohero n'ubuntu bw'Imana: « *Ababa mu mwijima no mu gitutu c'urupfu, babohewe mu marushwa no mu mvuto, kuko bari bagararije amateka y'Imana, bagakengera imigambi ya Rudasumbwa….Hanyuma batabaza Umukama mu marushwa barimwo na we abakiza amaganya yabo. Yaramenaguye inzugi z'imiringa, avunagura ibihindizo vy'ivyuma.* »

Murumvise rero ko ugufunga abantu atari bishasha ; ni igihano camye kuva na kera. None mu bwuzure bushasha ho bite ?

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Ijambo ry'Imana rivuga iki kw'ibohero?....................................................4
o Inyifato y'umukirisu mu gihe c'amatora...................................................8
o Urutonde ntabanduka rw'Abashingamateka mu Burundi..........................7
o Ukumenyekanisha ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati mu kinyamakuru ndongozi co ku wa 1 mukakaro 2025.......................10

# Idominika ya 14 : *Umwaka C*

**Igisomwa ca mbere:** Izaya: **66,10 – 14a**

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

(*Urweze rwo kuronka umukiza*)

Nezerwe hamwe na Yeruzalemu, himbarwe hamwe nayo, mwebwe mwese abakunzi bayo, nimuhimbarwe cane hamwe nayo, mwebwe mwese mwari muyigandariye, kugira ngo mubone kwonka, muhazwe n'ibere ry'uruhoza rwayo, kugira ngo mwonke musoserwe n'umwuzurira w'ubuninahazwa bwayo.

Nkako ng'uku uko Umukama avuze: «Ngiye guhunda Yeruzalemu amahoro atemba nk'uruzi, ubuninahazwa bw'amakungu na bwo buhashware nk'umugezi washeshe. Muzokwonka, muterurwe, babasimbagize ku bibero. Kurya umuntu ahozwa na nyina wiwe, na jewe nyene nzobahoza, muzohorezwa i Yeruzalemu. Muzobibona, umutima wanyu uhimbarwe, amagufa yanyu asubire gutoha nka kurya kw'ubwatsi, ukuboko kw'Umukama kuzokwimenyesha abasavyi biwe, ishavu ryiwe na ryo arisuke ku bansi biwe.»

**Igisomwa ca kabiri:** **Abanyagalati: 6, 14 - 18**

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyagalati:

(*Umusaraba wa Kristu niwo umukristu yishimiriza*)

Ncuti zanje : Jeho, icompa ntihagire ikindi kininahaza, ndetse umusaraba w'Umukama wacu Yezu Kristu, watumye ivy'isi bimbambirwa nanje nkabibambirwa. Na none, ukugenyerwa canke ukutagenyerwa, nta kamaro, igishemeye ni ukuba ikiremwa gishasha. Abazokurikira iryo tegeko bose, ndabipfurije amahoro n'ukugirirwa ubuntu, ndavyipfurije kandi Israyeli y'Imana.

Kuva ubu ntihagire uwucirirwa arangora, kuko ntwara mu mubiri wanje inkovu za Yezu.
Benewacu, nimwamane mu mutima wanyu umugisha w'Umukama wacu Yezu Kristu.
Amen!

## Inkuru nziza: **Luka :10, 1 -12. 17– 20**

**Alleluya! Alleluya!**

Amahoro ya Kristu nahangame mu mishaha yanyu, kandi mwamane ijambo ryiwe ribuzuzamwo ivyiza vyose.

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Intumwa mirongo indwi na zibiri zija kubura urweze rw'ubwami bw'Imana*)

Umunsi umwe, Umukama atora abandi bigishwa mirongo indwi na babiri, arungika babiribabiri ngo bagende imbere yiwe mu gisagara no mu kigwati cose aho yagira ngo aje hose. Arababwira ati: «Ivyimburwa ni vyinshi, yamara abakozi ni bake. Sabe rero Nyene umurima, arungike abakozi benshi mu murima wiwe. Gende! Ehe ndabarungitse nk'imyagazi y'intama mu mfyisi. Ntimutware umupfuko w'amahera canke isaho canke inkweto, no mu nzira ntihagire uwo muramutsa.

Inzu yose muzokwinjiramwo, ubwa mbere muvuge muti: "Amahoro muri iyi nzu". Nayo nihaba hari umuntu akwiye amahoro, amahoro azomujako, ahandi ho, azobagarukako. Iyo nzu nyene muze muyigumemwo, murya, munywa ivyo basanganywe, kuko umukozi akwiye impembo yiwe. Ntimuze mute umuhana mutora uwundi. Igisagara cose muzokwinjiramwo bakabazimana, murarya ivyo babazimanye; kandi muhakirize abarwaye, mubabwire muti: "Ubwami bw'Imana buri hafi yanyu". Nayo igisagara cose muzokwinjiramwo ntibabazimane, murace muhava, mugeze ku nama, muvuge muti:"N'uyo mukungugu twanduye mu gisagara canyu turawubakunkumuriyeko. Yamara mubimenye: Ubwami bw'Imana buri hafi". Ndababwiye ni ukuri: umusi uri izina, ico gisagara kizohambaririrwa kurusha Sodoma.

Bamwe mirongo indwi na babiri bagaruka banezerewe, bavuga bati: «Mukama, n'amashetani twayirukanye kw'izina ryawe!» Yezu ababwira ati: «Nabonye ishetani ikoroka iva mu kirere nk'izuba! Raba ndabahaye ubukuru bw'ukuzokandagira inzoka n'utumina n'ububasha bwose bw'umwansi; nta na kimwe kizobabera nabi. Yamara rero, ntimukihaye, kuko amashinga yabagamburukiye. Nimunezerwe nyabuna n'uko izina ryanyu ryanditse mw'ijuru»

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

***«Ivyimburwa ni vyinshi, yamara abakozi ni bake. Sabe rero Nyene umurima, arungike abakozi benshi mu murima wiwe. "***

Muvukanyi, dusangiye ukwemera, nuze hano tuzirikane iri jambo ry'Imana twongere tugerageza gutegera ico ritwigisha uyu munsi.

Mu gisomwa ca mbere, Umuhanuzi amenyesha ko abagize igihugu c'Imana bazova iyo bari barangarijwe, bagasubira i Yeruzalemu aho Imana izobasubiriza umutima mu nda, ikabakanda, ikabahoza, nka kurya k'umuvyeyi, ikabaterura mu maboko yayo, ikabasimbagiza; ikabasasagariza amahoro yayo.

Ni ijambo ry'ihumure, ni ijambo riremesha ku bihebuye. Kuko ico gihugu c'Imana cari cibajije ko ubwaco bwaheze, ko kitakivayo. Ariko Umukama ni Mudahemuka, ni Mudatana mu ndagano, yarabonye ayo ico gihugu kirimwo, akiru-ngikira Umuhanuzi, ati: «Nimwumve iryo Umukama avumereye kandi agiye kurangura: nimunezerwe, muhimbarwe».

Uyu munsi, natwe ayo majambo y'indemesho niyo dukeneye kuko ntihabuze abirira bibaza ko batagikira, batakirokoka. Umukama ntiyabahevye, nibizigire, bareme, hazoza igihe, kuko buraca bugacana ayandi, kuko uyu munsi ntihasa n'ejo hahise.

Mu Nkuru nziza, tubona ko Yezu atora abandi bigishwa mirongo indwi na babiri, arungika babiri babiri ngo bagende imbere yiwe mu gisagara no mu kigwati cose aho yagira ngo aje hose.

Ico abatuma ni : kwigisha ko ubwami bw'Imana bwashitse, ko abantu bokwigarura bagahinduka, bakemera Imana bakongera bakakira urukiza rwayo.

Yezu arababwira ati: «Ivyimburwa ni vyinshi, yamara abakozi ni bake. Sabe rero Nyene umurima, arungike abakozi benshi mu murima wiwe.

Umurima w'Imana ni munini cane kuko ari isi yose.

Yezu atora abo bigishwa 72, kandi yabarungitse ari babiri babiri. Ico gitigiri na co nyene kirafise insiguro. Itegeko ryavuga ko hakenewe abantu babiri kugira ngo ico bavuze cemerwe (Amategeko 9,15).

Abarungika ngo bamutange imbere, bamutegurire. N'ukuvuga ko uwatorewe ubutumwa, atavuga ivyiwe; ni Yezu yirangurira igikorwa ciwe we ntumwa ziwe yarungitse.

Igikorwa batumwe ni ica Yezu we nyene. Aho baja hose bamera nka Yezu, bakore nka Yezu, bigishe nka Yezu, bakize nka Yezu.

Nka Yezu bagiye gukiza abagwaye, babamenyesha ko ubwami bw'Imana bwabegereye. Ubwo bwami na bwo ni imigambi Imana yateguriye isi. N'uko abantu bose bomenya iyo Mana, bakava mu gukekereza kwabo, bagahinduka, bagakira ubwoba b'urupfu, bakemera Umwana wayo ko yaje kubakiza.

Ubwami bw'Imana ni ubwami bw'urukundo n'ikigongwe. Ico Imana ishaka ni ubuhirwe bw'umuntu mu bimugize vyose, umutima n'umubiri.

Murakize abagwaye bose, mubakize ibibazingamitse vyose, mubakize ingoyi za shetani..

Yezu aragabisha abigishwa biwe ngo abamenyeshe ko ubutumwa abahaye buhambaye atari ubwo kwanjanjwako nyabuna ko bahamagariwe kubukenyerera. Ubwo butumwa busanzwe bugoye, ariko kandi n'abo bwerekeye baragoye, isi iragoye. Yezu ntatinya no kugereranya isi n'abayo nk'impfyisi, abigishwa nabo nk'intama.

Umwigishwa wa Yezu ntakwiye gusamara, abanza kurondera ibizomubeshaho, n'abanguke, agamburuke, Umukama we nyene azomutunga.

Abwirizwa kwitonda kandi yitwararike kumenyesha Ubwami bw'Imana, imyitwarariko yindi yose aterera hasi, n'aho yoba ari imyitwarariko yerekeye ubuzima bwiwe. Ntahamagariwe kwiremereza amatungo, intunduru n'ibindi. Mu nzira, nta guteba aramukanya. Abwirizwa kubanguka.

Muri aya mezi abiri ukwezi kw'indwi n'ukwezi kw'umunani, duhamagariwe gusaba Nyen'umurima ngo yitorere kandi arungike abakozi benshi mu murima wiwe. Abakeneye kubona ko ubwami bw'Imana bwabegereye ni benshi.

None rero ntitudohoke ku gisabisho c'ugusabira abigishwa barungikwa na Yezu kumenyesha Inkuru nziza ngo ntibatsindwe n'imitego y'amaronko, y'ubukuru. Bamenye ko bazoronka uruhoza ku Mana, naho bazoba bahororokewe n'ukubona bigisha abadahinduka. Nibamane amahoro n'akanyamuneza kabwirizwa kuranga intumwa ya Yezu Kristu.

*Mukama,*

*Dutabaze abasaserdoti benshi beranda:*
*Bo guhereza iminsi yose inkuka y'imisa;*
*Bo kubatiza abantu;*
*Bo kudushikiriza ikigongwe c'Imana;*
*Bo kuremesha abagwaye n'abacikana;*
*Bo kuduhezagirira amazu n'imirima;*
*Bo kugusenga no kugushemeza;*
*Bo kutwigisha kukumenya no kugukunda;*
*Bo kuturongora mu nzira ija i Bukama;*
*Bo kuturemesha mu bituremereye;*
*Bo kukumenyesha abatarakumenya.*

*Amen.*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Abantu botegera bate ubuzima bwo mw'ibohero (Ibikurikira)

(Bitangurira ku rup.1

**Mu bwuzure busha-sha.**

Yezu mu nyigisho azobifatirako mu nkebuzo yiwe ati : « Subiza hamwe n'ingoga n'uwo mufitaniye amatati mu kiri mu nzira, kugira ngo ntahave agushikana ku mucamanza, ngo nawe ahave aguha uwuguta mw'ibohero » (Matayo 5, 25 ; Luka 12, 58).

Imbere ko Yezu ababara yaraburiye abigishwa biwe ati : « Bazobafata babaturubike, babashengeze mu masinagoga, babate mu mabohero… » ( Luka 21, 12) ;

Yohani Batista yaratawe mu mvuto kuko yahanuye, agakebura Herodi Antipas (Matayo 14, 1-2 ; Mariko 6, 14-16 ; Luka 9, 7-9)

Umwanditsi w'ikete ry'Ababahebreyi, mu kuvuga amakuba abemera bacamwo avuga ati « *Abandi nabo baragejejwe gu-shinyagurizwa no mu gukubitwa, mu kubohwa no mu gutabwa mw'ibohero* » ( Abaheburayo 11, 36).

Inyuma ya Pentekoti, Petero na bagenzi biwe baratawe mu mvuto : « *Ubwo nyene barababafata babaraza mw'ibohero kuko bwari bwije* » ( Ibik Vy'Abatumwa 4, 3).

Imbere yuko Sauli ahinduka yarataye mu mvuto abemera batari bake : « *Sauli na we muri ico gihe yariko arayogoza Ekleziya, ava mu nzu aja mu yindi. Abo asanzeyo, si abagabo, si abagore agata mw'ibohero* » (Ibik Vy'Abatumwa 8, 3). Twibuke ko igihe Kristu yazutse yamucakira, yaragiye muri Siriya kuharondera abo azana i Yeruzalemu ngo babate mu mvuto ( Ibik Vy'Abatumwa 9,1-2).

Mugabo nawe amaze guhinduka, akanzaganya mu butumwa, azohava atabwa mw'ibohero we na Silas (Ibik Vy'Abatumwa 5, 18). Luka avuga ati: « *n'inzigo nyinshi, bafata abatumwa babata mw'ibohero* » ( Ibik Vy'Abatumwa 16, 23 ).

Luka arashishikara agira ati « *bamaze kubakubitisha amahiri menshi, Paulo na Silas babata mw'ibohero, bategeka umucunzi ngo abacunge abitondeye. Umucunzi aronse iryo tegeko, aca abugaranira mw'ibohero abahohera amaguru mu biti.* »

Mu nyuma Paulo azofungirwa we nyene mw'ibohero : « *Felisi arekera Paulo mw'ibohero kugira anezereze Abayuda* » (Ibik Vy'abatumwa 24, 27). Aho hari i Cesareya ; azomarayo imyaka ibiri imbere yuko aja i Roma, naho nyene azohamara imyaka ibiri.

Kubera akarenganyo yagiriwe, yaritakambiye yerekana ko yarenganijwe ati: « *Bene wacu, jewe nta kintu nacumuye, ari ku vy'igihugu canke ku migenzo y'abasokuru, yamara raba ndi mw'ibohero, kuva i Yeruzalemu ndi mu minwe y'Abanyaroma* » Ibik. Vy'Abatumwa 28, 17).

None twihweje ubuzima mu kasho hari ivyo imbohe zose zihurirako haba ino iwacu canke mu bindi bihugu vya Buraya n'Amerika?

Umusi umwe nariko ntanga ikiganiro mw'ibohero rikuru ry'i Buruselle mu Bubiligi mu 2014. Hageze umwanya w'ibibazo bansaba kubereka ubudasa bw'amabohero yo muri Afrika muri rusangi no mu bindi bihugu vyateye imbere.

Niho nababwira yuko bivana n'uruhande turondeye gufatirako.

Twihweje ivy'uburyo ni ukuvuga uburaro, ugufungura, ukworoherezwa muri ibi na biriya, ntaho bihuriye. Kuko muri ivyo bihugu usanga abanyorora ahenshi barara heza, bagafungura neza, bakaraba TV, bagasoma ibitabu, bakigishwa biciye mu buhinga bwa none, bakitwararikwa ku bijanye na dossiers zabo.

Ino iwacu n'ibindi kandi birumvikana uburyo si bumwe; kandi uko ibohero usanga rifise abantu benshi niko n'ibibazo biba vyinshi.

1. Dufatiye ku ruhande rw'ico ari co ibohero dusanga bose ari co kimwe. Aho nshatse kuvuga ukutagira umwidegemvyo ni ukuga ubwo bushobozi bwo gusohoka ngo nkore ico nifuza cose, ndabe uwo nshaka aho nshakiye n'uko nshaka. Murazi ko umwidegemvyo ari kimwe mu bintu bihambaye biranga umuntu n'agateka kiwe. Ukwakwa umwidegemvyo, ico ni igihano kiruta ibindi;

2. Gutandukanywa n'abawe giturumbuka ;

3. Gucishwa bugufi n'amategeko y'ibohero (kuryama, gufungura, kubaho ukundi, kubana n'abo utatoye;

4. Kutagira imigambi ya kazoza;

5. Umwanya ntuhera ; indwi imwe ni ukwezi, ukwezi ni umwaka ;

6. Umunyororo ntagaya ubufasha : ifaranga ry'aho rifise agaciro kadasanzwe ;

***1. Hari ico botwigisha ?***

Ahari abantu hose naho hatabura uruntu runtu, na Mutima arahagendera agatangaza abantu :

- Ibohero ni iwabo wa twese nabivuze : abatumwa barafunzwe, Yohani Batista, aberanda : Maximiliano Kolbe.

Ku ntwaro ya Prezida Bagaza abasaserdoti barafunzwe; Musenyeri Nduhirubusa yarabaye imbohe y'imigwi irwana mu Kibira indwi yose; abakuru, banyarucari, twese twokwisangayo.

Ariko rero, nta muntu yitiranwa n'ivyamushikiye.

***Biracaza***

***Patiri Eugène NSANZERUGEZE, arongoye igisata gishinzwe Ubutumwa n'inyigisho ndoramana mu Nama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi, akaba ari nawe arongoye kuri urwo rwego Umugwi mpanuzwajambo ushinzwe ivya Yubile.***

# Tumenye ivyo twemera, tubigendere, bidukomeze mu kwemera

(Bitangurira ku rup. 1
mbere biri muri Bibliya-kandi agaruka kenshi.

Dufatire aho mu Mamuko 26, 5, kuko ariho ayo majambo agaragara ubwa mbere. « …kuko Aburahamu yumvirije ijwi ryanje, akongera akubahiriza IMIGENZO nashinze, AMABWIRIZWA yanje, AMATEKA yanje, n'AMATEGEKO yanje ».

Turongerako ijambo rya gatanu dusanga mu gitabu ca Bene Levi (18, 4-5): « Murarangure ingingo zanje, mwame muzigama amategeko yanje, muyagendere. Ni jewe Umukama Imana yanyu. Murazigame amategeko yanje n'ingingo zanje, ni vyo bibeshaho umuntu abirangura. Ni jewe Umukama ».

Ahandi na ho, mu gutanga amategeko, Imana ikoresha kenshi, irivuga gutegeka mu muvugwa wa mbere: ndagutege-tse, ndabategetse, nabategetse. Canke igakoresha ingereka satunga kuri ayo majambo, ngo yerekane ko ari yo itege-tse ubwayo (amategeko yanje, amabwirizwa yanje, ingingo zanje), irakunda kandi gukoresha izina "itegeko" hamwe n'irivuga ririvuyemwo: «*Nkako iri tegeko ndagutegetse* (Amategeko 30,11)

Iryo rivuga gutegeka muri kame karyo riraza kenshi muri Bibliya na cane cane muri ivyo bitabu bitanu.

Akarorero: Riza incuro 27 mu gitabu c'Amamuko, incuro 54 mu gitabu c'Ihunguka, incuro 36 mu gitabu ca Bene Levi, incuro 58 mu gitabu c'Iharura, incuro 88 mu gitabu c'Ukwibutsa amategeko.

Mu gitabu c'Ihunguka na ho, kenshi amategeko y'Imana ashikirizwa Musa na Aroni, na bo bakayashikiriza Abanyisrayeli.

Aya majambo ngo: «Umukama abwira Mu-sa ati:», tuyasanga incuro zirenga 63 muri ibi bitabu vy'amategeko, na canecane muri iki c'Ihunguka n'ic'Iharura.

Na we mukuyashikiriza abantu, araheza akerekana ko ari Imana yayategetse (Ihunguka 3, 13-15 ; Bene Levi 21,24 ; Iharura 30,1-2 ; Amategeko 31,9).

**2. Ingene Amabwirizwa canke Amategeko y'Imana yubatse mu Gitabu c'Amamuko.**

Muri iki gitabu, Imana yihera itegeko umuntu imbonankubone ata we iciyeko wundi: «Nimurondoke, mugwire…» (Amamuko 1, 28);

"Ariko igiti kimenyesha iciza n'ikibi, ntuze ukiryeko » (Amamuko 2, 17).

Imana iha itegeko Nowa ikoresheje ijambo « kuvuga » canke « kubwira » hagaca hakurikira irivuga riri muri rubwiriza. Imana ibwira Nowa iti: «…Niwibazire ubwato…; … Niwinjire mu bwato (7, 1-5); …

«Umukama abwira Aburahamu ati: « Va mu gihugu cawe no mu muryango wawe (12, 1-4).

**3. Amabwirizwa canke Amategeko y'Imana mu Gitabu c'Ihunguka.**

Ijambo Torah rikoreshejwe incuro 7 gusa:

Ihunguka 3, 5: Ntiwegere hano… (Ijambo + Rubwiriza) = itegeko; 3, 10: Ubu rero genda… (Ijambo + Rubwiriza) = itegeko; 6, 13: Umukama ni we ategetse, ariko abanje kubonana na Musa na Aroni, kuko ari bo bazomuserukira; 7, 2: Musa ni we mushikiriza w'amategeko y'Imana: Ihunguka 18,19; 7, 20: Musa na Aroni bagira nk'uko Umukama yabibategetse; 12, 1- 28: Amategeko yerekeye Ipasika, imikate itambiye n'ayo integuro y'imfungurwa za Pasika: Bene Israyeli baragenda, bagira nk'uko Umukama yategetse Musa na Aroni, baba ari ko babigira (akarongo ka 28).

Imigirwa ya Pasika: 12, 43-51. Akarongo ka 49: Itegeko ni rimwe ku mvukira no ku munyamahanga aba iwanyu (Torah).

Itegeko ry'Umukama ryame mu kanwa kawe ;13,9-10, akarongo k'10: Uzokwubahiriza iryo tegeko…

16,28: Umukama abwira Musa ati: «Muzokwanka kuzigama amabwirizwa yanje n'amategeko yanje gushika ryari? Mitswah (amabwirizwa) et Torah (amategeko)

Ihunguka 20, 1-17: Amabwirizwa icumi - amajambo icumi. Amabwirizwa Cumi
Ihunguka 20, 22-26: Amategeko ajanye n'isezerano.

Ihunguka 21: Amategeko yubahiriza umuntu, gukubita ugakomeretsa umuntu,
Ihunguka 22: Ubusuma bw'ibikoko, ingingo zerekeye ukubaha Imana n'abantu.

Ihunguka 23: Ingingo zerekeye ubutungane, ivyerekeye imisi mikuru; Hung 24: Imana yunga isezerana na Isreyeli

Ihunguka 25: Ivyerekeye kubaka ihema, isandugu y'isezerano, imeza y'imikate y'ishikanwa

Ihunguka 26: Ihema ry'Umukama; Hung 27: Uruhimbi rw'Umukama;

Ihunguka 29: Iyatirwa ry'abaherezankuka;

Ihunguka 30, 22-38: Amavuta meranda n'ingene ahingurwa

Ihunguka 31: Kubahiriza isabato; Hung 33,7-11: Ihema ry'ibonaniro

Ihunguka 34: Ibindi bisate vy'amabuye;

Ihunguka 35, 4-29: ukwegeranya amaturo

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Urutonde ntabanduka rw'abashingamateka baherutse gutorwa

*Ingingo ya Sentare yubvahiriza Ibwirizwa Shingiro RCC 453 yo ku wa 20 ruheshi 2025 irashikiriza amazina ntabanduka y'Abashingamateka baherutse gutorwa mu Burundi. Abo bashingamateka na bo ni 111 bagizwe n'abashingamateka 108 bose bakomoka mu mugambwe CNDD-FDD hamwe n'abava mu bwoko bw'abatwa 3 bongeweko baserukiye akashirahamwe 3 nyene y'abatwa. Ng'uko uko bagabuwe mu ntara zigize Uburundi.*

| Abashingamateka batowe mu ntara ya BUHUMUZA ni 17: | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Nº | Amazina | Amatazirano | Italike y'amavuka | Igitsina | Ubwoko | Yaratowe / Yongeweko |
| 1 | NIVYABANDI | Martin | 1973 | M | T | Yaratowe |
| 2 | NKEZIMANA | Boussessia | 1988 | F | H | Yaratowe |
| 3 | NIYOKINDI | Ernest | 1973 | M | H | Yaratowe |
| 4 | BARANYANKA | Joselyne | 1987 | F | T | Yaratowe |
| 5 | NYAMAVYARIRO | Ruben | 1982 | M | H | Yaratowe |
| 6 | BANYIYEZAKO | Boniface | 1983 | M | H | Yaratowe |
| 7 | NDARUFATIYE | Remy | 1977 | M | T | Yaratowe |
| 8 | NTUNGUKA | Déogratias | 1972 | M | H | Yaratowe |
| 9 | KAMERE | Ange Denise | 1983 | F | H | Yaratowe |
| 10 | NIBIGIRA | Ancile | 1987 | F | T | Yaratowe |
| 11 | NIMBONA | Shabani | 1986 | M | H | Yaratowe |
| 12 | GAHITIRA | Rédempteur | 1979 | M | H | Yaratowe |
| 13 | NDIHOKUBWAYO | Pacifique | 1983 | M | T | Yaratowe |
| 14 | KWIZERA | Fulgence | 1980 | M | H | Yaratowe |
| 15 | NIYONKURU | Nadia | 1986 | F | T | Yaratowe |
| 16 | NITUNGA | Pascal | 1970 | M | T | Yaratowe |
| 17 | MBONIMPA | Georgine | 1978 | F | H | Yongeweko |

| Abashingamateka batowe mu ntara ya BUJUMBURA ni 26: | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Nº | Amazina | Amatazirano | Italike y'amavuka | Igitsina | Ubwoko | Yaratowe / Yongeweko |
| 1 | NDARUVUKANYE | Zénon | 1963 | M | H | Yaratowe |
| 2 | NIYITUNGA | Alice | 1979 | F | H | Yaratowe |
| 3 | SUGURU | Olivier | 1974 | M | T | Yaratowe |
| 4 | MANIRAKIZA | Come | 1967 | M | H | Yaratowe |
| 5 | NIBIGIRA | Ezéchiel | 1975 | M | H | Yaratowe |
| 6 | INGABIRE | Adeline | 1980 | F | T | Yaratowe |
| 7 | NIZIGAMA | Syvie | 1975 | F | H | Yaratowe |
| 8 | MUNEZERO | Doriane | 1990 | F | T | Yaratowe |
| 9 | MBAZUMUTIMA | Rénovat | 1964 | M | T | Yaratowe |
| 10 | SAIDI | Juma | 1974 | M | H | Yaratowe |
| 11 | NAHIMANA | Vétérande | 1973 | F | H | Yaratowe |
| 12 | MUTWA | Chrysologue | 1966 | M | T | Yaratowe |
| 13 | NTAHOBAKINIRA | Salvatore | 1981 | M | H | Yaratowe |
| 14 | NIYOBUHUNGIRO | Justin | 1972 | M | H | Yaratowe |
| 15 | BARAMPAMA | Chantal | 1981 | F | T | Yaratowe |
| 16 | BAHATI | Jérôme | 1980 | M | H | Yaratowe |
| 17 | IRAHARIRA | Félicité | 1991 | F | H | Yaratowe |
| 18 | NDUWAYEZU | Evelyne | 1988 | F | T | Yaratowe |
| 19 | NDAYIHAYA | Julienne | 1987 | F | T | Yaratowe |
| 20 | BIKEBAKO | Gérard | 1971 | M | H | Yaratowe |
| 21 | KWIZERA | Josée | 1982 | F | T | Yaratowe |
| 22 | BIZIMANA | Dieudonné | 1983 | M | H | Yaratowe |
| 23 | NZAMBIMANA | Floribert | 1984 | M | T | Yaratowe |
| 24 | BADUGARITSE | Claude | 1986 | M | H | Yongeweko |
| 25 | IZOMPORERA | Jeanne | 1983 | F | H | Yongeweko |
| 26 | NIYONZIMA | Chantal | 1991 | F | TWA | Yongeweko |

Ibikur. urup. 7

# Urutonde ntabanduka rw'abashingamateka baherutse gutorwa

| Abashingamateka batowe mu ntara ya BURUNGA ni 19: | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Nº | Amazina | Amatazirano | Italike y'amavuka | Igitsina | Ubwoko | Yaratowe / Yongewako |
| 1 | CIZA | Ernest | 1981 | M | H | Yaratowe |
| 2 | HAKIZIMANA | Rénovat | 1976 | M | H | Yaratowe |
| 3 | NININAHAZWE | Espérance | 1984 | F | T | Yaratowe |
| 4 | NKURUNZIZA | Fabrice | 1981 | M | T | Yaratowe |
| 5 | NSENGIYUMVA | Adda | 1980 | F | H | Yaratowe |
| 6 | IRANKUNDA | Dieudonné | 1986 | M | H | Yaratowe |
| 7 | NIYONSABA | Célestin | 1976 | M | T | Yaratowe |
| 8 | NIBIGIRA | Révocate | 1975 | F | H | Yaratowe |
| 9 | MANIRAKIZA | Donatien | 1964 | M | H | Yaratowe |
| 10 | MISAGO | Zachée | 1979 | M | H | Yaratowe |
| 11 | NSHIMIRIMANA | Eric | 1982 | M | H | Yaratowe |
| 12 | NTIBESHA | Odette | 1980 | F | T | Yaratowe |
| 13 | NIYONSABA | Donavine | 1979 | F | H | Yaratowe |
| 14 | IRAMBONA | Nestor | 1964 | M | T | Yaratowe |
| 15 | BUCUMI | Pétronie | 1975 | F | H | Yaratowe |
| 16 | NDIZEYE | Charles | 1972 | M | T | Yaratowe |
| 17 | NIVYIMANA | Françoise | 1987 | F | T | Yaratowe |
| 18 | NCUTINAMAGARA | Tantine | 1986 | F | H | Yongewako |
| 19 | NIBITANGA | Ndutura | 1978 | M | TWA | Yongewako |

| Abashingamateka batowe mu ntara ya BUTANYERERA ni 26: | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Nº | Amazina | Amatazirano | Italike y'amavuka | Igitsina | Ubwoko | Yaratowe / Yongewako |
| 1 | NDABIRABE | Gélase Daniel | 1957 | M | H | Yaratowe |
| 2 | NDAYIZEYE | Emmanuel | 1973 | M | H | Yaratowe |
| 3 | KANKUYO | Médiatrice | 1975 | F | T | Yaratowe |
| 4 | MUHIRWA | Jean Marie | 1980 | M | H | Yaratowe |
| 5 | CIZA | Jean | 1966 | M | H | Yaratowe |
| 6 | NDUWARUGIRA | Godefilde | 1987 | F | T | Yaratowe |
| 7 | NITERETSE | Martin | 1977 | M | H | Yaratowe |
| 8 | ABAYEHO | Gervais | 1963 | M | H | Yaratowe |
| 9 | KITONZE | Sandrine | 1991 | F | T | Yaratowe |
| 10 | NDUWIMANA | Patricie | 1970 | F | H | Yaratowe |
| 11 | MBARUSHIMANA | Jean Claude | 1978 | M | H | Yaratowe |
| 12 | HARAMXATEGEKO | Fabien | 1970 | M | T | Yaratowe |
| 13 | HAKIZIMANA | Marie Odette | 1976 | F | H | Yaratowe |
| 14 | MUSAFIRI | Nestor | 1975 | M | H | Yaratowe |
| 15 | NGENDAKUMANA | Sylvestre | 1980 | M | T | Yaratowe |
| 16 | NDARUZANIYE | Leonidas | 1970 | M | H | Yaratowe |
| 17 | NDAGIJIMANA | Vincent | 1988 | M | H | Yaratowe |
| 18 | DUSABE | Francine | 1983 | F | T | Yaratowe |
| 19 | UWIMANA | Beline | 1983 | F | T | Yaratowe |
| 20 | MUTABAZI | Alain-Tribert | 1980 | M | T | Yaratowe |
| 21 | NDUWIMANA | Venant | 1973 | M | H | Yaratowe |
| 22 | NIYONSAVYE | Dieudonné | 1987 | M | T | Yaratowe |
| 23 | NDAYISHIMIYE | Jeannette | 1990 | F | T | Yaratowe |
| 24 | BGIRIMANA | Phocas | 1980 | M | H | Yongewako |
| 25 | BARANYIKWA | Epipode | 1969 | M | H | Yongewako |
| 26 | KAMANA | Epipode | 1983 | P | TWA | Yongewako |

Ibikur. urup. 9

# Inyifato y'umukirisu mu bihe vy'amatora (Ibikurikira)

Kuva intwaro rusangi ishitse mu Burundi, ubajije abarundi igituma batora uyu muntu canke uriya, uyu mugambwe canke uriya, uca utangara ! Hari abatora kubera ubwoko, abatora kubera ubwoba, abatora kubera utuntu babahendesheje n'ibindi. Si uko amatora ategerezwa kugenda. Imbere yo gutora ni ukuraba umugambi umuntu afitiye Igihugu. Akarimi gasosa ni kimwe, kurangura umugambi mwiza kikaba ikindi.

Uno musi abakristu bamurikiwe n'ijambo ry'Imana bokwikangura bakava hasi, bakamirira kure shetani ibategera kuri ivyo vyose, bakitorera ababatwara neza bafise aho babakuye n'aho bipfuza kubashikana.

**1. Mu gihe c'ukwiyamamaza.**

Abaja kwiyamamza bokwirinda guhonyanga uburenganzira bw'abandi mu kubacokora n'amajambo akomeretse abakurako iteka ry'abana b'Imana, bakirinda guta umwanya wose mu gukurikira aha na hariya abaiyamamaza.

Igihe rero c'ukwiyamamaza nticoza gihagarika ibikorwa vy'ukwiteza imbere canke kwiga ku banyeshure. Mbere ntibiha iteka umukristu asiba guhimbaza umusi w'Imana ari kwiyamaza.

***Ikintu cose nikigire umwanya waco.***

Ariko ntihagire uwigira sindabibazwa ngo yirengagize amatora. Umwe wese arafise ububasha n'uburenganzira bwo gutora abazomurongora kugira ngo ntahave yicuza mu nyuma ngo na kare batoye abo ntashaka.

Uko abakristu barekerana abandi ngo babe ari bo bonyene barabwa n'amatora, baca batwara uko badashatse. Bategerezwa rero kuja mu buzima bw'igihugu kuko ntibari mu kirere, bari mu gihugu kandi ibikiberamwo biraba abantu bose, abemera n'abatemera Imana. Mu bihugu bimaze gutera imbere muri Demokarasi, ni itegeko ko uwufise imyaka yo gutora wese aja gutora, hakaba n'ibindi bihugu hatora uwushatse.

Nko mu Bubirigi, gutora ni itegeko kandi udatoye urahanwa n'amategeko. Mu Bufaransa hoho hatora uwushatse kuko hari abagira bati : ntora canke ntatora mbona biguma kwa kundi. Kandi ntihabuze n'Abarundi biyumvira gutyo.

None abakristu bomera nk'abo bagira bati ntibindaba, nta nyungu, nta gihinduka? Ugutora ni igikorwa ngombwa ku bakristu. Umuntu yitoreye abazomurongora akabigira umurikiwe na Mutima Mweranda arumva ko aremye.

Uwugiye gutora amurikiwe na Mutima ntaraba inyungu ziwe wenyene, ashira imbere nyabuna inyungu ziwe n'iz'abandi. Ugutora ni uburyo bwo gutanga intererano yacu kugira ngo mu gihugu hisungwe ineza ya bose.

**2. Mu gihe c'amatora.**

Mbega mu gihe c'amatora ho umukristu yokwifata gute? Yomenya ko agiye gutora atagiye kwironderera inyungu yiwe gusa, ko ajanywe no kurondera inyungu y'abantu bose. Urukundo rwa Kristu rube ari rwo rumukoresha, rube ari rwo ashira imbere. Ivyo agiye gukora vyose Imana irabibona (2 Co5, 14-15).

Vyose nabikore yisunga urukundo rwa Kristu rumugobera kugira ngo mu vyo akora vyose yiteho ineza y'abandi (…).

Ibintu vyose akora bitegerezwa kumushikana ku kwubaha agateka ka zina muntu. Umuntu niwe aba uwa mbere. Usanze ivyo uriko ukora vyose bitaza kugushikana ku neza y'umuntu ca ushaka wirekere.

Mu ntwaro rusangi, iteka ry'umuntu ni ryo riza imbere ya vyose, umuntu ategerezwa kugira ikibanza ca mbere mu migambi yose itegekanywa.

***Mu kazu k'amatora umukristu yotora nde?***

Umukristu amurikiwe na Mutima Mweranda ntapfa ivyo atoye. Araraba umuntu ari n'ico azomarira abandi.

Mu gihe c'amatora, abakristu bokwirinda ibihuha vyo gurtyozanya, eka ivyo ari vyo vyose kuko vyohava bitoba umutekano. Bahamagariwe kurindira mu mutekano ikizova mu matora bakavyakira nk'abakristu, ntibamene ibanga ry'ubukristu mu kugumura abandi.

Bahamagariwe gusabira ku Mana abatowe ngo baze bigenze neza ntibazohave barya intama, ngo bigire intambwe. Na kare ubukuru bwiza bwisunga Imana (Abanyaroma 13, 1-6), bukigana Yezu Kristu we ataje gukorerwa ariko yaje gukora aronderera ineza bose.

Umukristu yinjirana mu bwiherero bw'amatora umwitwarariko w'ineza ya bose, yabanje gusenga, amurikiwe n'ijambo ry'Imana.

Umukristu mu gutora, ntiyogendera ku mabwire canke ibishobisho. Aho hose ni mu ntumbero yo kugirango akore ico yatohoje abone kwitaho ya neza ya bose.

***3. Inyuma y'amatora***

Abantu bitwaye neza mu matora, ingaruka nziza ni bo zigirira akamaro. Bitwaye nabi ni kwa kundi nyene ingaruka mbi nibo zisinzikaza.

Nico gituma abakristu bomurikira abandi, bakaba akarorero mu gukora ibishoboka vyose kugira ngo inyuma y'amatora agateka ka zina muntu kagume kubahirizwa, umwe wese yikorere utwiwe ata nkomakomyi.

Muri ivyo bihe vyose uko ari bitatu, ntihagire

Ibikur. urup. 9

# Urutonde ntabanduka rw'abashingamateka baherutse gutorwa

| Abashingamateka batowe mu ntara ya GITEGA ni 23: | | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|---|
| N° | Amazina | Amatazirano | Italike y'amavuka | Igitsina | Ubwoko | Yaratowe / Yongerweko |
| 1 | MANIRAMBONA | Venant | 1977 | M | H | Yaratowe |
| 2 | NIZIGIYIMANA | Dévote | 1985 | F | H | Yaratowe |
| 3 | KAMWENUBUSA | Louis | 1964 | M | T | Yaratowe |
| 4 | NIYONKURU | Innocent | 1969 | M | M | Yaratowe |
| 5 | BUKURU | Béatrice | 1983 | F | H | Yaratowe |
| 6 | NDIZEYE | Oscar | 1965 | M | H | Yaratowe |
| 7 | KARERA | Denis | 1979 | M | H | Yaratowe |
| 8 | KANDAVA | Hélène | 1983 | F | T | Yaratowe |
| 9 | HABONARUGIRA | Souavis | 1976 | F | H | Yaratowe |
| 10 | NSAVYIMANA | Herman | 1966 | M | H | Yaratowe |
| 11 | BARAJINGWA | Nicolas | 1979 | M | H | Yaratowe |
| 12 | NIZIGAMA | Jacqueline | 1983 | F | T | Yaratowe |
| 13 | NIBIRANTIJE | Jean Marie | 1971 | M | H | Yaratowe |
| 14 | NDADAYE | Denise | 1968 | F | H | Yaratowe |
| 15 | BIGIRIMANA | Monfort | 1979 | M | T | Yaratowe |
| 16 | BARUTWANAYO | Joachin | 1953 | M | H | Yaratowe |
| 17 | NINGANZA | Amélie | 1983 | F | T | Yaratowe |
| 18 | NDAGIJIMANA | Pascaline | 1985 | F | T | Yaratowe |
| 19 | KANEZA | Valence | 1992 | M | H | Yaratowe |
| 20 | NDORIMANA | Emmanuel | 1972 | M | T | Yaratowe |
| 21 | HABARUGIRA | Jeanne | 1982 | F | T | Yaratowe |
| 22 | RUCARAGI | Amédée | 1974 | M | H | Yongerweko |
| 23 | MANIRAKIZA | Médiatrice | 1979 | F | H | Yongerweko |

# Inyifato y'umukirisu mu bihe vy'amatora (Ibikurikira)

abakristu barabana ribi ngo n'uko badasangiye ivyiyumviro. Abakristu bama basangira basangiye Umuvyeyi umwe, bama basangira umubiri umwe wa Yezu Kristu, bahamagariwe kugendera ubwo bumwe basangiye muri Yezu Kristu, bamurikiwe na Mutima Mweranda, bakirinda gukumirana bakaguma bafatanye mu nda.

Amatora ntaza gukuraho umuvukano canke ubucuti canke imigenderanire abantu bari bafitaniye, inyuma y'amatora ubuzima burabandanya. Nibagume basangira nk'uko bahora, batere inkuru nk'uko vyahora, baramukanye, bakorere hamwe ibishoboka cane cane mu gufashanya, no mu kugira ubumwe n'urukundo n'ugusangira vyose ni vyo vyaranze abakristu ba mbere.

**Inyifato ibereye amatora aheze**

**Abatsinzwe:** Abatsinzwe bashira aho abenegihugu bashize. Bishitse hakaba ibitabanejereje canke biketse utunenge bokurikiza amategeko mu guharanira ubure-nganzira bwabo. Bisubiye abatsinzwe barashobora kubandanya bakora icese mu guserura ivyiyumviro vyabo, haba mu nzandiko, mu nyigisho canke mu kwifatanya n'ayandi mashirahamwe yigenga arajwe ishinga n'ugukora ibijanye n'inyungu z'abanyagihugu. Barashobora kwunga ubumwe mu gutora umuti w'ingorane.

**Abatsinze** : abatsinze amatora bategerezwa gushira mu ngiro ivyo bemeye igihe biyamamaza. Birahimbaye cane ko bitwararika kudahemukira abanyagihugu no kutibagira ivyo bemeye vyose. Birumvikana ko irangurwa ry'imigambi imwe imwe rishobora gusaba igihe kirekire.

Bategerezwa bategeragezwa guteza imbere igihugu, kugendera abanyagihugu no kuganira n'abo batavuga rumwe, gurtyo uzoba werekanye ko wari watsindiye amatora ubikwiye.

*Igisata kijejwe Ubutumwa bw'ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura «CJP Bujumbura»*

# Ukumenyekanisha ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati mu kinyamakuru Ndongozi co ku wa 1 mukakaro 2025

Mu buzima bwa misi yose, umuntu ategerezwa kubana no kugiriranira imigenderanira n'abandi kuko bigoye kubaho ari nyamwigendako.

Muri ico kibano canke iyo migenderanire hashobora kuvukamwo amatati.

Birashobora gushika benekugiriranira amatati bakumvikana canke ntibikunde ko bumvikana. Iyo bitakunze ko bumvikana ubwabo canke bumvikanishwa n'abandi baraheza bakitura sentare ibifitiye ububasha.

Mu gihugu c'Uburundi, sentare ziri mu mirwi ibiri : sentare zisanzwe na sentare zidasanzwe. Izo sentare ziyo mirwi yose zijejwe gucira imanza abenegihugu kandi ntizifise ububasha bumwe canke bungana.

Mu kwerekena ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati, tuja kwisunga ibiri mw'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/26 ryo ku wa 26 kigarama 2023 rihindura ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 rishinga igitabu c'amategeko agenga itunganywa n'ububasha bwa sentare.

**1. Ububasha bwa sentare zisanzwe mu manza z'amatati Sentare zisanzwe zigizwe na sentare z'intango, sentare nkuru z'igihugu na sentare nkuru zisubiramwo.**

***1.1. Ububasha bwa sentare z'intango mu manza z'amatati.***

Ukwitura sentare y'intango gutegerezwa kwubahiriza umurimo nyamukuru wo kwumvikanisha abafitaniye amatati wahawe intahe yo ku mugina.

Uwuje kwitura sentare y'intango ategerezwa kuba afise icegeranyo c'abahuza bo ku mutumba canke karitiye amatati yabereyemwo nk'uko ingingo ya 19 ibitegekanya mu gace kayo ka gatatu.

Sentare y'intango irekuriwe kuburanisha:

* imanza z'amatongo hatarabwe agaciro ayo matongo afise ;

* izindi manza zose ziri hagati y'abantu canke y'amashirahamwe zifise agaciro katarenza imiriyoni 10 ;

* imanza zijanye no kubungabunga ibisigi hatirengagijwe ko ivyo bisigi agaciro kavyo gategerezwa kuba katarenza imiriyoni 10 ;

* imanza zijanye n'amategeko agenga ingo n'imiryango mu gihe ata yindi sentare ifise ububasha kuri izo manza ;

* imanza zijanye no gusohora inzu umuntu abamwo atariha canke abantu bose baba mu bibanza badafitiye impapuro canke uburenganzira nk'uko ingingo ya 19 ibitegekanya mu gace ka mbere.

Iyi ngingo ya 19 ibandanya yerekana mu gace kayo ka 2 ko sentare y'intango ata bubasha ifise iyo urubanza rwerekeye gusohora umuntu akose ikibanza kidandarizwamwo.

Sentare z'intango zirafise ububasha bwo gushira mu ngiro imanza zabaye ntabanduka zaburanishijwe muri izo sentare.

Tubisanga mu ngingo ya 21 mu gace kayo ka 3 kavuga ko sentare z'intango zifise ububasha bwo gushira mu ngiro ingingo zo mu manza zaburanishije ku rugero rwa mbere zikaba zarabaye ntabanduka.

***1.2. Sentare nkuru z'igihugu mu manza z'amatati.***

Sentare nkuru z'igihugu zica imanza zose z'amatati zerekeye ibintu kandi zo mu karere zifiseko ububasha mu gihe ata yindi sentare yazihaweko ububasha nk'uko bitegekanijwe n'ingingo ya 36.

Sentare nkuru z'igihugu zirafise ububasha bwo guca imanza zunguruje zivuye muri sentare y'intango.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 37 ivuga iti « mu vyerekeye imanza z'amatati, sentare nkuru z'igihugu zakira imanza zunguruje zaciwe na sentare z'intango zizikukira ».

Sentare nkuru z'igihugu zirafise ububasha bwo guca imanza z'amatati yerekeye akazi kiretse i Bujumbura n'i Gitega kubera hoho hariho sentare z'akazi.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 56 ivuga ko « Mu turere dukukira sentare z'igihugu hatarashingwa sentare y'akazi, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa na sentare nkuru z'igihugu zisasa mu manza zerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi kiretse sentare nkuru z'igihugu zikorera mu ntara za Bujumbura na Gitega ».

Kubera ko sentare y'ubudandaji iri mu ntara ya Bujumbura honyene mu gihugu cose, sentare nkuru z'igihugu nizo zifise ububasha bwo guca imanza zerekeye ubudandaji kiretse mu ntara ya Bujumbura.

Tubisanga mu ngingo ya 68 ivuga iti « Mu turere dukukira sentare z'igihugu hatarashingwa sentare y'ubudandaji, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa na sentare nkuru z'igihugu zisasa mu manza zerekeye ubudandaji kiretse sentare nkuru z'igihugu ziri mu ntara ya Bujumbura ».

***1.3. Sentare nkuru zisubiramwo.***

Ibikur. urup. 11

# Ukumenyekanisha ububasha bwa sentare zitandukanye mu manza z'amatati mu kinyamakuru Ndongozi co ku wa 1 mukakaro 2025

(Bitangurira ku rup.10)
Nk'uko izina ryayo rivyerekana, iyi sentare ifise ububasha bwo gusubiramwo imanza zaciwe na sentare nkuru z'igihugu.

Tubisanga mu ngingo ya 47 ivuga mu gace kayo ka mbere ko « sentare nkuru zisubiramwo zakira imanza zaciwe ku rugero rwa mbere na sentare nkuru z'igihugu na sentare z'akazi ziri mu karere zikoreramwo ».

Iyi sentare irafise kandi ububasha bwo guca imanza zerekaye abantu bitwariye abacamanza. Bitegekanijwe n'ingingo ya 48 ivuga ko sentare zisubiramwo zica ku rugero rwa mbere kandi ari na rwo rwa nyuma imanza z'abitwariye abacamanza kiretse abafise iteka ryo kuburanira imbere ya sentare ntahinyuzwa.

Sentare nkuru isubiramwo irafise kandi ububasha bwo guca imanza z'amatati zerekeye imanza zega Reta.

Tubisanga mu ngingo ya 82 ivuga iti « Mu turere dukukira sentare nkuru zisubiramwo, tutarashirwamwo sentare isasa mu manza zega Reta, imanza iyo sentare ifitiye ububasha zicibwa ku rwego rwa mbere n'ibisata vya sentare nkuru zisubiramwo zisasa mu manza zega Reta kiretse sentare zisubiramwo zo mu ntara za Bujumbura na Gitega ».

**2. Ububasha bwa sentare zidasanzwe mu manza z'amatati.**

Sentare zidasanzwe zigizwe na sentare z'akazi, sentare y'ubudandaji hamwe na sentare zica imanza zega Reta.

***2.1.Sentare z'akazi.***

Sentare z'akazi ni 2 mu gihugu cose. Zikaba zifise ivyicaro vyazo mu ntara za Gitega na Bujumbura.

Izo nazo zikaba zifise ububasha mu manza zerekeye :

1°) amatati yerekeye umukozi umwumwe ukwiwe canke ayerekeye abakozi bose aturutse ku kazi ari hagati y'abakozi yerekeye amasezerano y'akazi canke ay'ukwimenyereza akazi ;

2°) amasezerano abakozi bagiriranira n'abakoresha canke ingingo zafashwe n'abakoresha babo ziyasubirira ;

3°) amatati yadutse hagati y'amashirahamwe ategekaniriza kazoza abakozi n'abakoresha yerekeye ikurikizwa ry'amategeko agenga ibijanye n'ugutegekaniriza kazoza abakozi hatirengagijwe ingingo ziri tegeko mu vyerekeye ishirwaho ry'imigwi ifise ububasha budasanzwe bwo gutatura ubwoko bumwe bumwe bw'amatati bufise ico bwisangije.

***2.2. Sentare y'ubudandaji.***

Sentare y'ubudandaji irafise ububasha bwo guca imanza z'amatati hagati y'abadandaza.

Tubisanga mu ngingo ya 65 ivuga ko « sentare y'ubudandaji ica ku rugero rwa mbere imanza zerekeye amatati hagati y'abadandaza yerekeye ibikorwa vy'ubudandaji canke ibifatwa nk'ivyo hisunzwe amategeko mu gihe ata zindi sentare zibifitiye ububasha ; amatati yerekeye inzandiko z'ubudandaji zemeza imyenda ».

***2.3. Sentare isasa mu manza zega Reta.***

Nk'uko iri bwirizwa ryerekeye ingene Sentare zitunganijwe n'ububasha bwazo ribitegekanya, i-ngingo ya 76 irerekana ububasha bwa sentare isasa mu manza zega Reta, aha twovuga nka :

1°) imanza z'amatati yerekeye imanza uwitwara asaba ko amasezerano mu bayagize harimwo Reta canke inzego z'intwaro z'intango yemezwaishirwa mu ngiro, agirwa impfagusa, ahagarikwa canke afutwa.

2°) imanza umukozi wa Reta yitwara asaba ko amanuta yahawe ku kazi canke ibihano yafatiwe n'abamutwara ku kazi bitegekanijwe n'amategeko agenga abakozi ba Reta bisubirwamwo.

3°) amatati ajanye n'amatungo yimuka canke ayatimuka Reta yifashishije.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko uwuja kwitura sentare y'intango ategerezwa kuba afise icegeranyo c'abahuza bo ku mutumba canke karitiye amatati yabereyemwo.

Twabonye kandi ko Sentare nkuru z'igihugu zica imanza zose z'amatati zerekeye ibintu kandi zo mu karere zifiseko ububasha mu gihe ata yindi sentare yazihaweko ububasha.

Mu turere hatarashingwa sentare y'ubudandaji canke sentare y'akazi, imanza izo sentare zifitiye ububasha zicibwa na sentare nkuru z'igihugu zisasa mu manza zerekeye ubudandaji canke akazi kiretse sentare nkuru z'igihugu ziri mu turere izo sentare zirimwo.

Ikindi ni uko, sentare nkuru isubiramwo nayo ifise ububasha bwo guca imanza zega Reta ziri mu turere tutarimwo sentare isasa mu manza zega Reta.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ekleziya yo mu gihugu ca Congo iherutse kugabana umuhimbazwa

Ku wa 15 Ruheshi 2025 igihe c'isaha cumi n'imwe n'igice, Karadinali Marcelo Semeraro arongoye igisata ca Papa kijejwe kwiga ibijanye n'ubuzima bw'aberanda, yarahereje inkuka y'imisa i Roma mw'isengero «Saint Paul –hors-les- Murs», imisa yo gushira mu bahimbazwa umusore yitwa Floribert Bwana Chui wo mu gihugu ca Rupublika iharanira Demokrasi ya Congo, yishwe afise imyaka 26 azize ko yanse gutora igiturire, ngo yemere kwinjiza ibidandazwa vy'umuceri wagomba kwinjizwa muri Congo warataye igihe.



*Floribert Bwana Chui w'i Goma mu gihugu ca Congo yaraye ashizwe mu mutigiri w'Abahimbazwa muri Ekleziya Gatolika.*

Ivyo birori vyari vyatewe iteka n'abakongomani batari bake duhereye kuri Karadinali Ambongo Fridolin w'i Kinshasa, Musenyeri Willy Ngumbi w'i Goma n'abandi bakristu bari bagiye bava i Congo harimwo nyina wiwe n'abo bavukana.

Inyuma y'umugirwa wo gusaba ikigongwe mu nkuka ya misa yari yatanguye igihe c'isaha cumi n'imwe n'igice, haciye haba umugirwa wo gushira mu bahimbazwa Floribert Bwana Chui.

Musenyeri Willy Ngumbi umwungere wa Diyoseze ya Goma, hamwe na patiri Francesco Tedischi wo muri « Sant'Egidio» yagize uruhara rukomeye muri ico gikorwa, baciye bagana Karadinali Marcelo yari yaserukiye Papa muri uwo mugirwa, bamusaba ngo ashire mu bahimbazwa Floribert. Patiri Francesco yaciye asoma ubuzima bwa Floribert. Karadinali Marcelo nawe aca arasoma ikete rya Papa Lewo wa 14 rirekura ko Floribert yoshirwa mu bahimbazwa. Abari muri iyo nkuka ya misa bose baca barakoma amashi bahimbawe n'ico ciza. Baciye bashira imbere ya Altar igisigi ca Floribert kigizwe n'ikoti yari yambaye igihe bamugandagura.

Inkuka ya misa ica irabandaniriza ku ruririmbo rw'Abamalayika «Gloria. »

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Karadinali Marcelo yashimikiye kw'ijambo ry'umwizero dusa-nga mw'ibaruwa Pawulo mweranda yandikiye Abanyaroma 5,5: «Umwizero ntutereza». Uwo mwizero niwo waranze Floribert, niwo wamye uranga abamaratiri b'igihe caheze, icubu n'ikizoza.

Bukeye bw'uwo munsi, Papa Lewo wa 14 yarashikirije ijambo abari baje muri urwo rubanza bavuye muri Congo. Yashimikiye ku vyaranze umuhimbazwa Floribert Bwana Chui yagandaguwe ku wa 8 Mukakaro 2007 yanse gucapfuza umutima n'iminwe yiwe mu kwakira igiturire.

Papa Lewo yibutsa amajambo Papa Fransisiko yavugiye muri Congo ku wa 2 Nzero 2023 abwira urwaruka rwaho afatiye ku karorero ka Floribert ati: « Iminwe yakira igiturire iba icafujwe n'amaraso. »

**Floribert Bwana Chui yakuye hehe inguvu zo gutsinda inabi?**

Papa Lewo wa 14 ashingira intahe Floribert ko ubukomezi bwo kuba umumaratiri yabukuye mu karangamutima ka Sant'Egidio yakuriyemwo. Mu buzima bwiwe, Floribert yaranzwe no guha urukundo abana bo mw'ibarabara mu gisagara ca Goma kubera intambara, ubukene n'u-bupfuvyi. Yarabitwararika cane mu kubaha i-ndero runtu na rukristu. Mu gisabisho niho yavoma ubwo bukomezi. Yari umuntu w'amahoro, akama aharanira amahoro aho ahereyeye. Aho ab'isi barondera amahoro biciye mu ngimba, Floribert wewe yaharanira amahoro mu kwicisha bugufi, mu kumvisha abandi ukuri no mu kubaremesha afashijwe n'ijambo ry'Imana. Yama yibuka ijambo Yezu yavuze ati: « Nsinzobasiga muri ipfuvyi, nzogaruka kubajana. » (Yohani 14,18). Ijambo ry'Imana niryo ryamuha inguvu zo gukundisha abandi ubutumwa bwo gukunda aboro ati: « Twavutse ngo dukore i-bikorwa vyiza kandi bikomeye. Tugire ico tuzosiga kw'isi nk'umugani mwiza, kandi tugire ico duhinduye kuko igihugu ciza ni icicarika abana baco ku meza imwe. »

Mu gihe urunganwe rwiwe rwihebura kubera intambara, Floribert yabaremesha ababwira ati: « Nta karere na kamwe Imana yahevye, indwano izohera kandi Imana yaraduteguriye ikibanza ciza kizira intambara, inzigo n'umudurumbanyo».

Papa Lewo wa 14 akipfuriza urwaruka rwo muri Congo na Afrika ko umwambiro w'ubumaratiri bw'umuhimbazwa Floribert wobazanira amahoro.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*